Appealing a suspension or expulsion

Parent/carer factsheet

Kwungururiza ingingo yo guhagarikwa canke kwirukanwa

Urukaratasi rw' ukuri rw'umuvyeyi/umurezi

Ukwunguruza ni iki?

Ukwunguruza kuba igihe usaba yuko ingingo yafashwe yokwongera kubanza kwigwa ukundi gusha. Ibi biba kubera yuko utanezerejwe n'ingingo yafashwe.

Nokwunguruza gute ingingo yo guhagarikwa canke kwirukanwa?

Urashobora kwunguruza ingingo yo guhagarikwa canke kwirukanwa igihe wibaza yuko umuyobozi yafashe ingingo itari nziza canke ntiyakurikije inzira nziza. Abanyeshuri, ababyeyi n'abarezi barashobora kwuzuza urukaratasi rwo kwunguruza ingingo yafashwe.

Ukwunguza ingingo zafashwe gushobora gushirwa ku Biro vy'Indero. Ibiro vy'indero vyo mu micungararo birashobora kugufasha gutahura ingene bigenda. Birashobora kandi kugufasha kwandika ico candiko c'ukwunguruza. Ishuri ry'umwana wawe rirashobora kuguha aho ukura inkuru ku biro vy'indero vyo mu micungararo ubamwo.

Wemerewe kwungururiza ingingo yafashwe rimwe gusa. Ingingo yerekeranye no kwunguruza izogirwa n'umuyobozi mukuru, Uburongozi bw'Indero canke umuyobozi mukuru ajejwe Indero, uwuraba ingene abana biga kandi bizofata imisi iri hagati y'imisi 15 na 20 yo kwiga kugira ngo ico kibazo gihere kwigwa. Bazokurondera igihe urubanza rwo kwunguruza ruzoba rwashikanywe aho rwigirwa n'ingingo ikaba yafashwe. Nimba ukeneye izindi nkuru zirengeye izi ushobora kurondera ibiro vy'indero vyo mu micungararo aho iyo ngingo yungururijwe.

Ingaruka zikomoka mu kwungururiza ingingo yafashwe

Iyo ingingo y'ukudahagarika umwana wawe yemewe, kandi uwufata iyo ngingo akemera igisabo cawe, umuyobozi azaguhamagara kugirango umenye neza ko umwana wawe asubira mwishuri vuba bishoboka. Ingingo y'urubanza rwaciwe izoshirwa ku vyandikwa biranga umwana wawe kandi ukwo guhagarikwa kuzofutwa mu vyanditswe bigenda biranga umwana wawe.

Iyo ukwitwarira ingingo y'uguhagarikwa kw'umwana wawe ata co kuvyaye, kandi uwufata ingingo ntiyemezanye n'igisabo cawe, umwana wawe azoguma muri ico gihano c'uguhagarikwa gushika kw'italiki yashinzwe.

Ingaruka z'ukwitarira ukwirukanwa

Iyo ukwitwarira ingingo y' ukwirukanwa kw'umwana wawe yemewe, kandi uwufata ingingo akemezanya n'igisabo cawe, umuyobozi azokenera gukorana nawe kugira ngo mutorere umuti urama ibibazo bikomeye vy'amakenga kandi mushireho ingingo z'ugushigikira umwana kugira ngo uwo mwana wawe ashobore kugaruka no gusubira kw'ishuri. Ingingo yitwariwe izokwandikwa mu bigenda biranga umwana wawe, kandi ingingo y'ukwirukanwa izovanwamwo uhereye ku nyandiko z'umwana wawe.

Iyo ukwitwarira ingingo y'ukwirukanwa kw'umwana wawe idashigikiwe, kandi uwufata ingingo atemezanije n'igisabo cawe, hariho ibindi bintu vyinshi biriho bishobora gukorwa ku mwana wawe. Mu bihe bimwe bimwe kanaka, ingingo irashobora gufatwa yo kwungururiza umwana wawe ku yindi shuri canke akaja arakabukanya bivanye n'ivyo akeneye. Umuyobozi azokorana nawe iyo ivyo bishitse.

Iyo ukwitwarira ingingo yo kwirukana umwana wawe itaronse ibakwe ryiza, kandi umwana wawe akaba arengeje imyaka 17, wewe n'umwana wawe mutegerezwa kurondera uburyo bwo gukomeza kwiga canke kwimuka kukazi.

Nokwitwara gute?

Inkuru zerekeranye n'ukuvugira umwana wawe zirahari kubavyeyi babo.Amakuru yo gutanga ikirego zirahari niba ugifise impungenge zijanye no guhagarika canke kwirukanwa.

Inkuru zijanye n'ukuvugana n'amashuri ziriho mu Mategeko agenga Ikibano c'Ishuri.

Ibikorwa vyo gusobanura mu rundi rurimi

Nimba wipfuza gushikira ishuri kandi ukaba ukeneye imfashanyo y'uwugusobanurira mu rurimi rw'Ikingereza, usabwe guhamagara ibikorwa vyo gusobanura kuri Telephone kuri 131 450, ubabarire ururimi ushaka kandi uce usaba umuntu ari kuri iyo mashini ahamagare ishuri. Uwo ari kuri iyo telephone azoca akuronderera umusobanuzi ku murongo agufasha muri ico kiganiro. Nta mahera uzorihishwa kuri uwo yagufashije gusobanura mu rundi rurimi.